**IHWANIRO RY’URWARUKA KU RWEGO RW’IGIHUGU RYATEGEKANIJWE N’INAMA NKURU Y’ABEPISCOPI KATOLIKA B’IBURUNDI KUVA KW’IGENEKEREZO RYA 5 GUSHIKA K’UWA 8 MYANDAGARO 2024.**

Muri Iryo hwaniro hari hitezwe urwaruka rurenga 2000. Imbere yuko haba inkuka ya misa yo kwugurura iryo hwaniro, urwaruka rwo muri Diyoseze ya Ruyigi rwasidukanye n’iyonka ruja gusanganira Umusalaba w’urwaruka uherekejwe na bagenzi babo bava muri Diyoseze ya Rutana bari baje bareruye uwo musalaba. Neza na neza uwo musalaba washitse kw’ihuriro, aho bita mu ***kinyabakecuru***, igihe c’isaha umunani n’iminota mirongo ine (14H40), ugiwe imbere n’umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega **Bonaventure NAHIMANA**, ubu akaba ariwe ahagarariye Papa muri Diyoseze ya Rutana.

Twomenya ko mukurindira uwo musalaba w’urwaruka, abakristu bari aho, babaye baragira igisabisho bambaza umuvyeyi Bikira Mariya. Muri ico gisabisho kabaye akaryo ko gutura umuvyeyi Bikira Mariya:
- urwaruka rwoba rumaze gukoroza inda,
- ugukengurukira Imana kurwaruka rucigenza neza no gusabira urwaruka rwigenza nabi,
- gusabira ikigongwe abavyeyi batanze akarorero kabi imbere y’ibibondo vyabo no gukenguruka kubavyeyi bakizigamye ibanga ryo kurera neza.
- gusabira abafise ibibazo vy’ubuzima bitandukanye, abiyamira mu bubegito, abazingamitswe n’ibicumuro bitandukanye ngo umuvyeyi abahereze Yezu ku musalaba maze kubw’ukubabara kwiwe ababere inyishu nziza mu bihe barimwo.

Muri ico gisabisho kabaye akaryo ko gushikiriza Imana ihwaniro rigira ritangure kugira ngo rize rigende neza, rigirire akamaro abarijemwo n’abatarijemwo bose. Abakristu benshi bamaze gusenga umusalaba (mu gacerere), bakuye amavi hasi baraheza bagenda bararirimba bawigina, bagana ingoro y’Imana, isengero nkuru ***Cathédrale* ya Ruyigi.**

Umusalaba bamaze kuwushikana mu kibanza cawo mu ngoro y’Imana, hakurikiye inkuka ya misa yo kwugurura iryo hwaniro. Twomenya ko iryo hwaniro ryahimbajwe ku civugo ngo: **’’MUNEZERWE MU MWIZERO (Rm12, 12)**".



Mu nkuka ya misa, Umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi Musenyeri **Bulaziyo NZEYIMANA,** akaba ari nawe yarongoye imperezwa y'ukaristiya,

yarahaye ikaze abitavye ihwaniro, ahereye kubungere bari bahari uwo musi wa mbere.

Nabo akaba ari :

- **Bonaventure NAHIMANA**, Umwungere wa Diyoseze nkuru ya gitega arongoye inama nkuru y'abepiscopi katolika b'iburundi, akaba ari nawe ahagarariye Papa muri Diyoseze ya Rutana;
- **Salvator NICITERETSE, umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bururi akaba ari icegera** c'uwurongoye inama nkuru y'abungere katolika b'iburundi ;
- **Georges BIZIMANA,** umwungere wa Diyoseze ya Ngozi, akaba ahagarariye Papa muri Diyoseze Bubanza ;
- **Gerevazi BANSHIMIYUBUSA**, umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura
- **Yohakimu NTAHONDEREYE**, Umwungere wa Diyoseze ya Muyinga



Mu nyigisho yashikirije (Homélie), umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi yashimikiye kw'ijambo Yezu yabwiye abigishwa biwe igihe bari basavye ko iryo sinzi ry'abantu ryorungikwa mu mihana kugura ivyo barya, agira ati: **NTAKIBAJANA, NAMWE NIMUBAHE IVYO BARYA.**

Mu ntango y'iyo nyigisho yaramenyesheje ishengero ryari aho, ko Imana ariyo yabakoranije ishaka ko bomara imisi baganira n'Imana bongera basangira na benewabo, bakakira imfungurwa y'ijambo ry'Imana be n'imfungurwa y'umukate w'ubuzima. Muri iyo nyigisho umwungere yamenyesheje ko naho twebwe twoba atanaduke dufise nka babigishwa, ntitwokwibagira ko dufise Yezu tuba dufise vyose. Niwe yatuzanye kandi niwe

buzima bwacu. Tuzomarana iyi misi yose, atumare inzara, aduhe vyose, ivyacu bwite n'ivyo dusangira n'abandi ; azoturonsa**: imfungurwa y'ijambo ry'Imana, iy'umukate w'ubuzima,twongere tuharonkere n'ikiganiro c'abavukanyi.**

Umwungere yagiriyeko amenyesha icivugo c'iryo hwaniro ati : *« Kunezerwa mu mwizero ni inyigisho izoduherekeza muri iyi misi yose twongere dusangire koko ako kanyamuneza kuko turi abavandimwe, dukundane twicisha bugufi, ngo dushobore kwiheberanira no kwakira ivyiza Imana idusangiza iciye kuri abo bavukanyi dusangiye iteka ry'agashusho k'Imana. »*

Ni aho rero, yishimikije ijambo rya Paulo mweranda, yabandanije yigisha agira ati : « nimukundane nk 'abavandimwe, umwe wese arushirizeho guha icubahiro mugenzi we, ntimugire urwangara mu mwitwarariko wanyu, mwamane igishika mu mutima, mukorere umukama. Ni munezerwe n'ivyo mwizigiye, nimwigumye mu bibagora, mwizigitirire ku gisabisho. Nimwame muhuza ivyiyumviro ntimuhahamire ibiri hejuru ariko mukunde gukwegakwerwa n'ibiciye bugufi. Duciye bugufi rero tugakundana na bose hamwe n'abo twokwise abansi nyene, tukababakwega ngo dusubize hamwe, ngo dusubire kubana neza na bose, Imana izodukomorera ubuhirwe bwayo.»

Umwungere yabandanije agira ati : « Ijambo ry'Imana ni ryo ridukomeza, (…). Iryo twumvise uyu musi ryatweretse ko Yezu ashaka ko tumenya ko tujejwe gushikiriza ivyiza vy'ijuru, (…). Erega Yezu yari gushobora kubibagaburira we nyene ariko yashimye gutuma abigishwa biwe ngo abe ari bo babibagaburira. Muri iyo nyigisho umwungere yatumiriye urwaruka kuza rurumviriza ijwi ry'Imana ribahamagara bakitaba bagira bati : **Ndi hano Ntuma**, nka kumwe umuhanuzi Izaya yavuga. Nawe ace ashira uwumwitavyye muri wa murwi w'abigishwa azoza arikorako ngo bagaburire abantu. Nayo ivyo kubagaburira niwe abitanga. Imana izirana n'ubwishime, uwicisha bugufi nawe ntagende ***arishira hejuru*** ngo ni uko avugira Imana, arahimbarwa n'uko Umukama amucishako ubutumwa akagirako aburangura. Imana iramukuririza mu kumuha igihagararo c'abakwiranye n'iteka ryayo nyene.
Imfungurwa ya kabiri ni wa mukate w'ubuzima : yezu yashaka kugaburira abari bashonje ariko yari intangamarara yuko ariwe mukate w'ubuzima wavuye mw'ijuru. Uwuriye uwo mukate azokwamaho imyaka yose, umubiri wiwe ugabira isi ubuzima.

Turawihereza mu nkuka ya misa. Kukaba nkako, inkuka ya misa ni igisabisho gikuru, gisumba ibindi bisabisho vyose.
Iyindi mfungurwa tuzokesha iri hwaniro ry'urwaruka, umwungere yavuzeko ari Ikiganiro c'abavukanyi: kwigishwa n'abungere tuganire nabo twongere tuganire n'urunganwe.

Umwungere yahamagariye ishengero ryari aho kuzokwiyubara kuryo bazovuga ryose, ribe irivuye kumutima w'urukundo, kwugurura amatwi y'imitima, gushira kumuzirikanyi iryo twumvise, Imana izobagaburira iciye kubakunzi banyu bazobayagira. Yasozereye asaba Bikira Mariya Umugabekazi w'abakristu kutubera mu ngoro.



Inyuma y'inkuka y'imisa, haciye hakurikira kwakira no guha indaro abaje bava mu mihingo itandukanye y'igihugu. Ico gikorwa naco kikaba caba cagenze neza kuko atanumwe yabuze aho akika umusaya.

## KU MUSI WA KABIRI

Ku musi wa kabiri igenekerezo rya 06 myandagaro 2024, nkuko vyari biri mu ndinganizo y'iryo hwaniro, kabaye akaryo kubari bitavye ihwaniro ko gukirikirana ibiganiro vyashikirijwe n'abungere.
Ikiganiro cambere cashikirizwa n'umwengere wa Diyoseze ya Bururi, **Salvator NICITERETSE** Ku civugo ngo: "amamuko n'akahise k'urugendo rw'umusalaba w'urwaruka (Origine et historique du pelerinage de la croix des jeunes)". **Musenyeri Evariste NGOYAGOYE** wo muri Diyoseze ya Bujumbura yahavuye atuma Patiri **NDEREYIMANA Savino** ku mvo z'amagara yari amukitse yigishije kucivugo: "Umwizero ntutetereza (Rm 5, 5)." Uwakurikiye yabaye umwungere aramutswa Diyoseze ya NGOZI Geoges BIZIMANA yigishije ku civugo: "uruhara rw'urwaruka kugira ngo habe amatora yizigiwe."

**Amamuko y'uwo musalaba w'urwaruka**



Mu nyigisho umwungere wa Diyoseze ya Bururi **Salvator NICITERETSE** yashikirije, yaratahuje abari aho amamuko y'umusalaba w'urwaruka. Yagize ati: "Muri 1984 papa Yohani Paulo wa kabiri yari yatumiriye urwaruka guhimbaza umusalaba nk'ikimenyetso kiranga urukundo Imana ifitiye abantu bose. Munyuma rero papa yarashikirije isanamu ya Bikira Mariya ngo ize yame iherekeza uwo musalaba aho uzoja hose. No ngaha iwacu mu Burundi warahashitse muri gitugutu 2006."

Mu bibazo urwaruka rwamubajije yarabatomoreye neza ko uwo musalaba, mugushika mu Burundi, waje uva mugihugu ca Gabon ariko ko utashikiye rimwe n'isanamu y'umuvyeyi wacu Bikira Mariya. We n'abandi basaseredoti bawakiriye, baciye bawujana ku nkengera y'ikiyaga ca Tanganyika, bawujana mu maparuwase ya nyanza-lac na Rumonge. Bamaze gushika muri Diyoseze ya Rutana, isanamu ya Bikira Mariya ica iraza. Waragendeye amadiyose yose yo mugihugu cacu. Diyoseze ya Ngozi ikaba yawakiriye ubwanyuma aho yaciye iwuhereza igihugu c'Urwanda. Abakristu barerekanye igishika bawufitiye. Uyo musalaba ubu uri I Roma imbere yuko bazowujana mu kindi gihugu kw'isi yose bimirije guhimbarizamwo ihwaniro ry'urwaruka.

Nkako ivy'Imana ntibihera uburyohe; bamaze kuja inama n'ingingo abungere barabonye ko bibereye ko bakoresha uwundi musalaba w'urwaruka mu burundi. Uwo rero ubandanya uzunguruka mu gihugu cose ugira ibitangaza, abantu bagakenguruka ivyiza biwukomokako. Twomenya ko muri Diyoseze ya ngozi, muri 2007 ari ho watanguriye, barawushikirije kugira ngo bazoze barawuhanana nk'ikimenyetso c'urukundo, ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe. Ubu wari umaze imisi uri muri Diyoseze ya Rutana.

**Akamaro k'uwo musalaba w'urwaruka**



Kahise k'umusalaba kerekana ko cari ikimenyetso co guhasha abagirizwa ko ari inkozi z'ikibi, abasuma, abagumutsi... ni co gituma Yezu bamaze kumwagiriza amabi yose bamuciriye urwo kubambwa ku musalaba. Ku bayahudi ni igitsitaza, mu bagreki naho ni ubujuju ariko kubahamagawe mu bayahudi no mu bagreki ni

ikimenyetso c'urukiza (cor1, 23). Abavyeyi bacu bambere baragararije Imana, Yezu yagamburutse ishaka rya mana se araza kw'isi gushika abambwe kumusalaba ashaka kuducungura wamusalaba uraheza utubera ikimenyetso c'urukiza. Uwo musalaba rero werekana ko Imana yakunze abantu urukundo rutagira ingero. (Jn3,16) uwo musalaba kandi werekana ubugamburutsi bwa Yezu, bwibonekeje ngo natwe duheze tubashe kugamburuka.

Mu kindi kibazo kijanye n'ukumenya akamaro ko kunamira umusalaba, igiti, kandi bibujijwe mubwuzure bwambere, yabajijwe: umwungere yaratomoye ko uwo musalaba kera wari umuvumo, none aho ubambiweko umwana w'Imana Yezu Kristu agaheza agakirizako abantu isinzi ico gihe amaso yacu atagarukira kuri ico giti mu gihe tuba turiko turasenga, nyabuna ko twibuka uwababambwe kuri uwo musalaba. Twebwe mu mutwe no mu mutima ntituba turiko tugarukira kuri ico giti twibuka kandi tukunumira Umucunguzi wacu.

**IKIGANIRO KIGIRA KABIRI CARONGOWE NA PATIRI Savino NDEREYIMANA**



Ku civugo ngo: IBIDASHOBOKERA ABANTU BIRASHOBOKERA IMANA NICO GITUMA UMWIZERO UDATETEREZA, Patiri Savino, yishimikije ijambo ry'Imana (Rm 5,5), yahereye kubarira abari aho umwizero ico ari co, yongera ababarira n'akamaro kawo. Iyo nyigisho yashikirijwe mumice itatu: Umwizero ni iki?, Yezu kristu ni we mizero y'Ekleziya, Papa araduhamagarira kugira umwizero.

1. Umwizero ni iki?

Umuntu yama yizeye naho aba atazi ibizoba ejo ariko turashobora kugira ubwoba bwa Kazoza hagaca haba rero ibintu bibiri: ubwoba n'umwizero, ukugumya umutima n'ukwihebura. Ariko uwo mwizero uvyurwa n'uwo musalaba kuko ufatiye ku rukundo rukomoka ku mushaha wa sogoswe wa Yezu Kristu ku musalaba.

Urupfu rwa kristu n'izuka vyiwe vyaradusubije hamwe n'Imana ni co gituma tutagira ubwoba. Paulo yaranditse amakete menshi yandikira abakristu kugira ngo abaremeshe. Kuko bamwe muri bo bahavuye bicwa. Muvy'ukuri bari bafise imvo nyinshi zo kwihebura no guheba ubukristu kuko barabona ko ibintu vy'ubukristu biriko birabakwegera. Paulo mweranda rero akabaremesha ati:'' Ni inde azodukura ku rukundo rwa kristu? Mbega ni amarushwa canke amaganya canke uruhamo, inzara? (…) muri ivyo vyose turatsinda kubera uwadukunze.''(…) Ntakiremwa na kimwe kizoshobora kudukura ku rukundo rw'Imana rwamenyeshejwe muri Yezu

Kristu umukiza wacu. Umwizero wacu ushimikiye kukwemera Yezu Kristu. Yarapfuye arazuka, aratsinda urupfu, yarakunzwe kandi n'uyu musi arakundwa.

Patiri Savino ati : « murabona ko vyakunze ko muva mu mihingo yose mukaza kandi hariho ubwoba bwo kwiyunguruza. No mugihe twategura iryo hwaniro twagumanye umwizero wuko bizoshoboka. None birashobotse, iyo duca twihebura ntiryari kuba. Umwizero rero ntusenyurwa n'ibigoye, utuma umuntu atera imbere mubuzima bwiwe ». Arabandanya ati : « Umwizero umeze nk'itara ryaka mu mwijima ». Augustino mweranda ni we yavuze ko ubuzima bwacu butoshoboka butarimwo impengamiro zitatu: Ukwemera, ukwizigira no gukunda. Urwanko, uruhamo, ukwicwa ntivyazimanganije umwizero muri Paulo ni nako yabwiye abakristu b'Iroma kuko bakurikiye uwatsinze. Wa rupfu we umugera wawe uri hehe? Na kristu icamufashije ni umwizero yari afise muri Mana Data. Ivyo twizera birashobora guteba: Akarorero turagakesha Monika Umuvyeyi wa Augustino mweranda yamaze imyaka 28 asabira umwana wiwe uguhinduka. Biraheza biraranguka. Biradusaba rero kurindirana umwizero. Imana ibishatse irarangura ivyo yaraganiye umuntu kandi ikabigira mu rukundo.

2. Yezu kristu niwe mizero y'Ekleziya :

Yisunze ijambo ry'Imana 1Tm1, 1 Patiri Savino yagize ati: « Yezu Kristu ni we mizero yacu. » Umwizero w'uko Yezu Kristu azoshitsa ivyo yemeye utuma tuguma turariye, twizeye. Nkako Imana yacu ntibesha, umuntu aragumana uwo mwizero. Abanyaniniva baragumanye umwizero barambara amagunira, bizigira urukundo rw'Imana, Imana irisubirako irabagirira ikigongwe. Na wamuhungu w'igishushungwe aho bumariye kumukubira akagaruka kwa se yarasabanye umwizero se ko yomugirira ikigongwe, arigaya, nawe amwakirana akanyamuneza, inanga zirasekera kubera wamwizero w'urukundo rw'umuvyeyi yagize. (Lc15, 11-32)

3. Tugire umwizero ni co papa aduhamagarira mu makete yaturungikiye

Mw'ikete umutumwa Paulo yandikiye abanyaroma agira ati : « Nimurushirizeho kwizigira kubera ubukomezi bwa Mutima Mweranda (Rm15, 13). » Tugumana umwizero rero kubera tuzi ko Imana yacu twamenyeshejwe na Yezu Kristu ari Imana Dawe, kandi iguma ari Dawe. Ni mizero yacu muri Yezu Kristu ntidushobora guteterwa. Ukwemera ko kristu yapfuye akazuka nivyo bituzanira umwizero. Patiri ati : « Turashobora guca mu bigoye rwaruka, ariko ntituze twigere duteterwa ngo twihebure ducike inkokora, Imana iramenya ingene ikora mu buzima bugoye. » Izabuli ya 27,14 igira iti : izigire Umukama ukomere, umutima wawe ureme, wizigire Umukama. Abarundi nabo bati : *« bwije buraca, ntayirwa idacika. »*

Mu gusozera, patiri Savino yararemesheje urwaruka ko naho hibonekeza mu gihugu cacu ubukene butandukanye, ukubura akazi kw'abahejeje amashure,… ko batokwihebura ngo bace barera amaboko kuko Imana irazi ingene ihereza gutorera inzira ibintu, ikabitumbereza neza. Igihambaye ni uko twoba ababiba umwizero aho turi, tugatuma abandi bashobora gutwenga ntibabone ko kazoza kugaye, tube ababiba umwizero kubera ukwemera kwacu.

**IKIGANIRO KIGIRA GATATU**

## URUHARA RW'URWARUKA KUGIRA NGO HABE AMATORA YIZIGIWE



Yishimikije rya jambo dusanga mu nkuru nziza ya Matayo 5, 13-16, umwungere wa Diyoseze ya Ngozi, Georges BIZIMANA, yabanje kubarira urwaruka ko ari rwo munyu n'umuco w'isi. Nk' abigishwa ba Yezu Kristu, ababatijwe, ko batorewe kubera isi umuco. Abigishwa ba Kristu bafise ubutumwa buhambaye bw'ukuba ibikoresho bizima Imana icako kugira ngo ubuzima bw'abantu kuri iyi si buronke akanovera kabereye, umuryango w'abantu ukire umwandu uwo ari wo wose, kandi ntiwame uhungabanywa n'imiyaga mibi ya sekibi n'abakozi biwe, imiyaga izanira abantu amagorwa n'umwiheburo.

Vyongeye, umukristu wese arafise ubutumwa bwo kubera abandi umunyu n'umuco : Kubera abandi urumuri, ni ubutumwa umwigishwa wa Kristu, kubw'ibatisimu n'ikomfirimasiyo yatiwemwo, yarungikanywe kandi abwirijwe kwitwararika. Kubera isi umunyu uyiryosha, ukayityorora, ukayisomora ibikomere vyayisinzikaje, ni ubutumwa bwega zina mukristu wese. Hari abantu b'abakristu womengo bagendana uturangamuntu tubiri : akarangamuntu k'umukristu yerekana ari mw'isengero, hanyuma yagera hanze mu bundi buzima (ari muri politike, ari kudandaza, ari kwigisha canke kwiga, ari kuvura canke kwivuza) akerekana akandi karangamuntu ataho bihuriye na ka kandi. Umwungere Georges BIZIMANA ati : *« Twame twibuka y'uko no mu buzima bwa politike, mu rudandazwa, mu butumwa ubwo ari bwo bwose, na ho nyene Yezu Kristu abwirijwe kuharonka ikibanza kimubereye. »*

Hari igihe abakristu bamwe bamwe boba bibaza ko umukristu yoba atarekuriwe kuja muri Politike ! Ariko kuri ivyo urwaruka rwararonse umuco. Mu vy'ukuri, inyigisho ndemeshamibano y'Ekleziya iributsa neza y'uko ata muntu n'umwe akwiye kuba sindabibazwa mw'itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu bwerekeye iterambere,

ubutunzi, imigenderanire n'umubano mwiza. Umubano mwiza w'abantu na wo ushingiye ubwa mbere na mbere ku kwubahiriza ubwigenge bw'umwenegihugu wese afise bw'ukwinjira mw'ishirahamwe, mu muhari canke mu mugambwe ; uburenganzira bw'ukwiteza imbere mu gihe atawe yononeye kandi atagiye kubiri n'amabwirizwa y'Imana ; n'uburenganzira bw'ukwitorera abamuserukira mu ndinganizo y'ubutegetsi n'inzego zitandukanye z'intwaro.[1] Ni co gituma ata n'umwe abwirijwe gukumirwa mu gihe akwije imyaka itegekanijwe akaba akwije n'ibisabwa.

Uburenganzira bw'ugutora canke bw'ugutorwa bwubahirizwa neza iyo hari indinganizo y'intwaro rusangi ari yo twita « démocratie ». Muri mwene iyo ndinganizo, si umuntu yihagira ubutegetsi kubera abicishije mungimba, ni abenegihugu bamushinga amabanga biciye muri iyo nzira y'amatora. Kugira ngo ivyo bishoboke, harakenerwa integuro ica mu nyigisho hamwe n'amategeko agenga ico gikorwa.

Umwungere yarabandanije abanyurwisha ati: « Ukuja muri politike turetse ko umukristu wese abirekuriwe, ahubwo umukristu wese arabibwirijwe kugira ngo aterere mu gushiraho inzego zubahiriza iteka rya zina muntu, itunga rusangi, isabikanywa ritunganye ry'ivyo Imana yaduhaye ngo dusangire, ugufashanya n'ukwitwararikana hamwe n'uguha ikibanza ba ntahonikora. Ntihagire rero n'umwe yigira sindabibazwa kuko ibintu birashobora kwononekara n'ukuyangara, bikayangara mu gihe abakristu bosamara bigatuma hatorwa indongozi zitabikwiye canke zitabishoboye. »

Iyo hatowe indongozi mu bakristu nyabo bagendera ibanga n'akaranga k'abasizwe mw'ibatisimu no mw'ikomfirmasiyo, bica bikunda ko bahagararira ubutungane kuri bose, umwe wese akubahirizwa mu gateka kiwe Imana yamuremanye no mu burenganzira bwiwe bwose, itunga rusangi rigakingirwa kandi rikubahirizwa ku rugero rukwiye, ivyo Imana yadusangije tukabironkako twese, abarushwa na ba ntahonikora bakitwararikwa ;ni na ho mbere bishoboka ko abantu bagira urunani kugira ngo batorere hamwe inyishu y'ibibazo bibahanze, uwubishoboye akaronka n'amahirwe y'ukwiteza imbere akagira intambwe ukuruta atawumuzitira, na we nyene atabo azitira, ariko kandi twese tukumva ko dusangiye umuhamagaro w'ukuzotorana ubuhirwe bwuzuye mu bwami bw'Imana.

Iyo habaye ubusamazi hagatorwa indongozi zitabibereye hononekara vyinshi : uwitwaje inguvu n'ingimba aca yigarurira ivyofashije igihugu na benegihugu, iryobaye itunga rusangi rica ritaha muri bamwe bamwe abandi bakaburiramwo, uwugize utwo yirondereye canke yimbuye bakatumunyaga, akarenganyo

[1] Compendium de la Doctrine sociale de l'Eglise, 189

kagasasirwa indava ata camira, imanza zigacibwa hakurikijwe ingero z'ibiturire na ka mwana wa mama, ubukene n'inzara bikimonogoza mu bantu, imyidogo n'intuntu bikuzura imitima y'abantu bato bato batagira n'uwo bitura. Abantu baca babaho mu ngendo y'uko umwe umwe wese yigwanako kandi agacisha mu buryo ubwo ari bwo bwose, n'aho bwoba butajanye n'akaranga k'ubutungane n'imico myiza, akajagari kakaba ari ko karanga imibano y'abantu, n'ingo zigasinzikara. Mu gihe mwene ico c'uko umwe wese acisha aho ashaka, haca hakora wa mugani w'uko umugabo ari uwurya utwiwe n'utw'abandi (la loi de la jungle). Ugukingira abenegihugu bica biba ibintu ata n'umwe vyega, amategeko yobwirijwe kugenga ibintu n'ibindi aca asubirirwa n'ubusahuzi, ubukunzi bw'inda, ukugunga abandi, ububeshi, ubushurashuzi, ubwononyi bwose hamwe n'ubwicanyi. Ibikurikira ni uko abantu badundumirwa igihe kirekire, bigaca bimera nk'igihute giteba kikimena.Ni aho rero haca haduka intambara hamwe n'amagorwa menshi ajana na zo.

Indwano n'amagorwa si vyo twatorewe, si vyo Imana yaturemeye. Birakenewe rero rwose cane ko haboneka indongozi nyazo kandi z'inkerebutsi mu gihugu kugira ngo twese dutekanirwe. Kugira ngo izo ndongozi ziboneke, indinganizo ni iyijanye n'intwaro rusangi (démocratie).

Papa Yohani Paulo II mweranda (centesimus annus, 46) aratwigisha y'uko mu buryo bwose intwaro zitunganijwe, Ekleziya yemera intwaro rusangi ko ari yo ngendo nyayo iha ijambo abenegihugu bakaronka uburyo bw'ukwitorera indongozi n'ukwama basuzuma y'uko ubutegetsi buriko burabatunganiriza. Ariko mwene iyo ntwaro rusangi ntishoboka aho badategera akaranga k'ikiremwamuntu n'urugero rw'iteka yaremanywe. Ahari intwaro rusangi, abategetsi barafise ubutumwa bw'ukuyobora igihugu, ariko bikenewe abenegihugu bagashobora kuronka uburenganzira bw'ukubabogoza biciye mu buryo bw'amatora, maze umwe wese akaronka akaryo k'ukwitorera mu mwidegemvyo abo abona ko botunganiriza neza igihugu cose.

Birakwiye rero ko mu bihe vy'amatora atawokwifata nk'uwutabinezwe. Ari na co gituma umwungere yabwiye urwaruka ati: "ndabahimirije ngo mwotahure neza y'uko ukuja mu matora ari vyiza ku mukristu kuko ni ho aronka akaryo k'uguterera ku rugero rwiwe kugira ngo igihugu kironke indongozi zibereye. Ukuja mu matora ni ingero y'ugukora politike abantu benshi bashikako. Ariko ingero si iyo yonyene. Hari abashobora kwumva ko boshinga imigambwe, canke amashirahamwe canke imihari iharanira inyungu za politike". Ivyo vyose ni vyiza mu gihe umukristu abikoze biciye mu mategeko, akabitunganya atarenze amabwirizwa y'Imana n'ay'Ekleziya. None rero, kiretse abasaserdoti n'abandi bihayimana, umukristu arafise uburenganzira bw'ukwinjira mu bikorwa vya politique, akinjira mu mugambwe abona ko ufise

imigambi n’ivyiyumviro vyoteza imbere igihugu, agashobora mbere n’ukwitoza mu nzego nyobozi. Vyoba vyiza mbere ko turonse indongozi zubaha Imana kandi zitwararika umuryango w’ab’Imana ku nzego zitandukanye z’uburongozi. Ni na ho vyokunda neza ko wa munyu na wa muco vyokora mu guhinyanyura ubuzima bw’igihugu n’Abarundi benshi bakaharonkera agahengwe.

- ✓ Umwungere yari arongoye ico kiganiro yaciye ashimikira cane kunyifato ibereye  urwaruka ruhamagariwe kugira mugihe c’amatora.

Yisunze yuko ibihe vy’amatora ari ibihe bihambaye ku buzima bw’igihugu na bene gihugu, aho bamwe bamwe usanga umengo bataye umurongo n’akaranga k’ubukristu canke  Bigashika hakaba n’abajana nyabahururu bakarangwa n’ingendo y’ugukubagura abandi haba mu majambo canke mu kubaboreza igufa, yarahamagariye urwaruka n’abandi bose  kugendera ibintu bine vyoranga inyifato nziza mu bihe vy’amatora.

1. **Ugushishoza** gushimikiye ku kwihweza, ugutahura n’ukwifatira ingingo.

2. **Kwirinda ingendo y’ugukubagura abandi haba mvugo canke mu ngiro (**éviter la violence physique ou verbale)

3. Gusengera igikorwa c’amatora: Yezu aratubarira ko ico tuzosaba cose kw’izina ryiwe tuzokironka(Jn 14, 14). Gusabira igihugu cacu tukagisabira umutekano, tukagisabira iterambere nyaryo, tukagisabira ubutungane n’intwaro ibereye ivyo vyose ni ivyiza twosaba Data wo mw’ijuru duciye kw’izina rya Yezu kuko na kare uwusavye neza ni we araronka.

4. Kwakira abandi uko bari n’aho tutoba dusangiye ivyiyumviro: ukuba tudasangiye ivyiyumviro vya politike bitotuma dutandukana canke ngo turabane nk’abansi. Umwansi ni we aduteranya na yo ubundi twobwirijwe gusangira urugendo nk’abavukanyi.Nka kumwe kwa Paulo mweranda, ndababwiye nti : No mu bihe vy’amatora, “nimwamane vya vyiyumviro bitavirira Yezu Kristu” (Ph 1, 27).

Inyuma y’iyo nyigisho harabonetse akaryo gakwiye ko kubaza abigishije bose uwo musi kandi mu mwanya ubereye, abigishije bose baratahuje ababajije umwe wese ku kibazo ciwe mbere n’abatabajije bose bataha baharonkeye umuco.

- ➢ **INYIGISHO MU NKUKA Y’IMISA YO KU MUSI WA KABIRI**

Umwungere wa Diyoseze nkuru  ya Bujumbura, yarongoye Inkuka y'imisa, inyuma y'ugukengurukira Umwungere wa Diyoseze ya  Ruyigi yamutije inkoni ngo abe ariwe ayobora Inkuka y'imisa, ubona ko uwo musi hahimbazwa ihinduka ry’umukama, yaramenyesheje ko umusi mukuru w'ihinduka rya Yezu ari umusi

mukuru uhambaye: Yezu yajanye ahiherereye abatumwa kugira ngo ashobore kubibira akabanga k'ubuninahazwa yari asanzwe arimwo. Agashaka rero kubaremesha kugira ngo wa musi w'ukugorerwa twebwe ntibaze bihebure. Umuntu akwibira akabanga kugira ngo ntuze ucike ivutu mu bihe bigoye, aba agukunda. Muyandi majambo Yezu yashaka kubamenyesha ko naho bobona ariko arahamwa batoca bihebura. Ni hamwe nyene Yezu ashobora kutugirira ibimenyetso, hamwe ntitubibone, ahandi naho tukabibona ibisanzwe, tugasamara.

Ivyabaye kuri Abo batumwa ni ibiki:

Yezu yabajanye ahiherereye, abadugana Ku musozi. Ababonye ubuninahazwa ni abo bari bemeye kugira akigoro ko kuduga, bakemera kujanwa ahiherereye. Mbega tweho ni ryari twemera ko Yezu yotujana ahiherereye n'ahakirurutse kugira ngo Yezu atwibarire, natwe ngo tumuyagire ikiri ku mutima? Erega na Abraham yaduze imisozi myinshi y'ukwemera kugira ngo agende mu gihugu kirimwo amata n'ubuki. Bisaba ukwemera gukomeye. Yafata urugendo aza arumviriza ijwi ry'Imana Ku musi Ku musi kugira ngo azotebe ashikire ico Imana yamuraganiye. Umwungere ati: " burya Imana iratwihanganira. Kuko tugenda nk'abategeka ngo duhe iki Ubu,,, Aho kugenda nk'abasavyi tugira duti: "Mana ivyo ushaka nibiranguke..." vyumvikana ko kugira ngo natwe tubashe kuzoshikira no kubona ubuninahzwa bwa Yezu bidusaba kwama tugira akigoro ko kuduga, ntitwame turondera ukwiyorohereza gusa. Twamane akigoro ko kuvavanura n'ububegito, ingeso mbi zituma tudakiruruka ngo tuduge kuri wa musozi Yezu atwerekerako ubuninahazwa bwiwe. Ni ko kumera nka Yezu, umukunzi wacu nkako iyo ukunze umuntu umera nkawe.

- ❖ Umwungere yasavye Ko twokwama tugendera mu rukundo rw'Imana. Ko arirwo rwodutuma gutetera intambwe mu bukristu bwacu, ikimenyetso c'uko twemeye kudugana na Yezu. Yasozereye abarira ishengero ry'abari aho ati: ***"Ntimugire ngo ni iyi si izohinduka, ni twebwe tubwirizwa guhinduka kugira ngo duhindure iyi si."*** Kandi ntihagire uwuguma yiyumvira uwundi gusa ngo ese kanaka yohinduka, ahubwo uwo mwanya awukoreshe mukuraba we nyene ingene yohinduka. Umwungere yasozereye yifuriza abari Aho guhinduka. Maze abaje ngaho mw'ihwaniro bose bagende bafise akantu bahindutsemwo ntihagire ***uwuzindukira ubusa nk'igifungu.*** Amen.



# KU MUSI UGIRA GATATU

**INYIGISHO YASHIKIRIJWE N'UMWUNGERE WA DIYOSEZE YA MUYINGA, NYEN'ICUBAHIRO YOHAKIMU NTAHONDEREYE.**

Ku civugo ngo: **Rwaruka nimukundire kristu abanagure mube umunyu n'umuco w'isi mu matora yimirije.**



Yisunze ijambo ry'Imana (Rm12, 12) ngo: "Kandi ni mureke gufata imigenzo y'iy'isi, ariko nimuhinduke mukwama munagura ubwenge bwanyu…'', umwungere wa Diyoseze ya Muyinga yarigishije urwaruka afatiye ku ngingo nkuru nkuru zitatu:

**1. Ingaruka mbi z'ukwizerako ububasha bw'ineza**
**2. Ingendo ndangakaranga y'umukristu**
**3. Inyifato n'ingiro y'urwaruka rukristu mu matora**

Mu ntangamarara, umwungere yarahamagariye urwaruka kugira ukwemera. Uko kwemera kugatuma umuntu agumana na Kristu. Uwutagufise nawe agatahira kuba magoyagi. Nkako tutari kumwe na Yezu Kristu ntaco twishoboza.

Uwo yezu yamana natwe ibihe vyose kiretse tumwirengagije. Ari kumwe natwe mu vyo tubamwo vyose ndetse igicumuro. Muvyo tubanamwo, harimwo ivyo dusangira n'abandi mu kibano no mu gihugu. Muri iki gihe naho muvyo dusangiye twese harimwo kumurikira n'ukwemera kwacu, ukwitegurira amatora y'abashingamateka azoca akurikirwa n'ishigwa mu ngiro ry'ibwirizwa rishinga igitigiri gishasha c'intara, amakomine n'amazone, rigashinga n'imbibe zavyo. Nico gituma rero atawosiga inyuma ibiganiro n'inyigisho bikaburira urwaruka ukuzirikana ingene rwogendera ukwemera basangiye n'Ekleziya mukuroresha no kuri ayo Matora.

Umwungere yaribukije urwaruka ko ruhamagariwe kwigarura ngo rubeshweho n'ukwemera Yezu Kristu we nkuru nziza y'urukiza. Uko kwigarura nako akaba ari uguhindura imforo y'umutima n'ubwenge bwacu aho kwizerako twebwe nyene ububasha bwo guheba ivyo bibi no gukora ivyo vyiza tukabuzera kuri Yezu Kristu umukiza w'abantu.

**1. Ingaruka mbi z'ukwizerako ububasha bw'ineza**

Umuntu ntiyikwiye kandi ntaco ashobora kwishoboza ngo gitange icamwa ciza mu gihe atakiranguranye ukwemera: cane cane akagira umwizero ku Mana mushobora vyose. Nkako iyo abona ko yokwishoboza vyose adafashijwe n'Imana ntahandi ahereza atari guta umwizero ku Mana, kubura amahoro n'ubutungane, kurwa mu rwanko no mu rupfu n'abadapfuye ku mubiri bakirekurira mubibi vyica bagenzi babo nabo nyene bakaba barariye gupfa, ukurenga amabwirizwa y'Imana (Yer 31,33; Ez 36,25-31); kwuzura ubwoko bwose bw'akarenganyo, ububeshi, kwipfuza amatungo, uburyanyi, ishari, ubwicanyi, impari, ubugunge n'ubuhemu, kubesheranira, kwanka Imana, gutukana, kwishima, ubumenabanga, ubupfamutima, kuba imburakigongwe (Rm1,28-31).

Umwungere yarongeye avuga ko Paulo mweranda yemeje ko kubera igicumuro c'inyanduruko ko atawushobora kurama mugukora ivyiza atari kubwa Yezu Kristu, umukiza wacu. Turasabwa rero kugendera ubukristu muri vyose ngo uwo kristu abe ariwe adushoboza. Ivyo navyo bikarangukira mu ngendo ndangakaranga ya zina mukristu wese.

**2. Ingendo ndangakaranga y'umukristu**

Umwungere yarababariye ko ikiranga umukristu ari kwemera kwegukira Yezu Kristu gutyo umuntu akagaya uburyo butari bwiza yari abayemwo. Nico gituma imbere yuko umuntu ahabwa ibatisimu abanza guhakana shetani, akemera Imana butatu bweranda mu nyuma agahereza kwuhagizwa amazi agirako yakira na Mutima Mweranda.

Yisunze ijambo ry'Imana dusanga mu gitabu c'umuhanuzi Izaya yaberetse ko ikiranga umukristu ari uko atanezerezwa no kuguma mu bicumuro. Umuhanuzi Izaya ati: "umubisha ni ahebe inzira yiwe, umunyacaha nawe ahebe ivyiyumviro vyiwe(Iz.55,7)." Umukristu yemera kubeshwaho na Mutima Mweranda abeshejeho Imana. Ivyo bikamutuma atigera afatira urugero ku migenzo y'isi ahubwo akisunga urugero rwa Yezu Kristu. Tubifatanije n'ico duhejeje kuzirikana, twovuga ko umukristu w'ukuri ari uwuhinduye imforo, akazera ububasha bwo gukora ineza kuri Yezu Kristu amuha Mutima Mweranda aho kwibwira yuko we nyene ubwiwe abishoboye. Iyo ngendo rero ndangakaranga y'umukristu niyo zina rwaruka bakwiye kuzogaragaza mu matora.

**3. Inyifato n'ingiro y'urwaruka rukristu mu matora**

Umwungere wa Diyoseze ya Muyinga, adatevye, yaciye abarira urwaruka ibintu bine bikomeye urwaruka rwogenderako mu matora. **Ica mbere** ni ukwigishwa na Ekleziya no gusenga mu mutima no mukuri: gufata umwanya wo gusenga n'umutima wose n'ubwenge bwose, umuntu atawe yikurizako canke ngo yikureyo kandi akabigira mu muco wa Kristu we nzira ukuri n'ubuzima.

**Ica kabiri** ni kumenya guhinyuza na ntaryo ko mu vyiyumviro vya muntu, agenzwa na Mutima mweranda vy'ukuri, atagenzwa na Kamere y'umubiri.

**Icagatatu**: kumenya guhinyura iyo migenzo y'iy'isi muvyerekeye ayo matora nyene: iyo migenzo nayo ni : kwuzura ubwoko bwose bw'akarenganyo, ububeshi, kwipfuza amatungo, uburyanyi, ishari, ubwicanyi, impari, ubugunge n'ubuhemu, kubesheranira, kwanka Imana, gutukana, kwishima, ubumenabanga, ubupfamutima, kuba imburakigongwe (Rm1,28-31).

**Icakane** ni ukwama umuntu yibuka ko ubukristu butamukura kw'isi ariko bumusaba kutaba uw'isi. Aha umwungere yaciye yibutsa urwaruka ca gisabisho Yezu yavuga kibitomora neza ngo: "Sindagusavye ngo ubakure kw'isi ariko ndagusavye ngo ubarinde akabi. Si ab'isi nkuko nanje ntari uw'isi.(Yoh.17,15)"

Mugusozera, umwungere wa Diyoseze ya Muyinga yasavye urwaruka kutikumira muvyerekeye igihugu cacu no muri aya matora ariko arategurwa. Aca asozerera kuri aya majambo:

-ugutora si iciza dufitiye uburenganzira vyonyene, ni igikorwa dutegerezwa kubw'ubwene gihugu bwacu.

-abakristu tweho rero, kubera ibatisimu twahawe, duhamagariwe kwama twitwararitse ubukiriro bw'abantu bose kubwa Kristu, hamwe na We no muri We nyene .Ntitukirekuriwe kwigugana ubuzima (2col5, 14-15).

-umukristu yinjira mu bwiherero bw'amatora ari umwe nk'abandi bose,mugabo akabwinjiranamwo umwitwarariko w'ineza ya bose,yabanje gusenga amurikiwe n'ijambo ry'Imana be n'inyigisho y'Ekleziya yerekeye indinganizo y'ubuzima rusangi mu bihugu no kw'isi(abanyafiripi 2,2-4).

## IKIGANIRO KIGIRA KABIRI CASHIKIRIJWE NA MUSENYERI SIMONI NTAMWANA HAMWE N'UMUDIYAKONI NDAYISENGA GABINO.

## "UKUREKURIRANIRA N'UGUSUBIZA HAMWE, NI INKINGI NTABANDUKA Z'AMAHORO N'ITERAMBERE RIRAMA RY'ABANTU"



Ico kiganiro cashikirijwe na **Musenyeri Simoni NTAMWANA,** Umukurambere, hamwe n'umudiyakoni **Gabino NDAYISENGA**. Inyuma y'intangamarara yinjiza abari aho mu vyo bagira ngo bayagirwe, Musenyeri NTAMWANA yaciye yigisha ingene umuntu ari magiriranire yongera arerekana ko kuri twebwe abantu ubumwe n'umuvukano bikunda kwononekara n'ingoga ari naco gituma bahamagariwe kwama bisunga ijambo ry'Imana. Ubwo bumwe, Musenyeri yarerekanye ko bushobora gukomezwa na kagatima keza ko kurekuriranira no gusubiza hamwe.

Yagize ati:" *Ukurekuriranira na ugusubiza hamwe ni umusabiko uvura amacakubiri n'indwano*.'' Yagiriyeko mbere ahamagarira urwaruka rwose kwinjira muri iyo ntumbero yo kurekuriranira no gusubiza hamwe kuko ari zo nkingi ntabanduka, kandi ntasubirizwa z'amahoro n'iterambere rirama mu bantu.

- **UKUREKURIRANIRA NO GUSUBIZA HAMWE**

Mukutwibutsa ko twese tuvukana yarishimikije rya jambo dusanga mu nkuru nziza ya Matayo « Mwese muvukana mwese » (Matayo 23, 8). Ni naco gituma tubwirizwa kwengengana, tukarekuriranira. Kandi uko kurekuriranira yababwiye ko atari ukwiyibagiza ico twakoze kizana icuka kibi mu kibano ca misi yose ; atari ugufuririrayo, kugira ngo tuze tuzure akaboze, ari na ko kazana ubugizi bwa nabi bukwiragiye isi n'abayo. Yongera ati:''Ukurekuriranira ni uguhindura umutima wacu, ahari hicaye ububabare bwa nyene kugirirwa nabi, haze umukando utuma ca kibi yagiririrwa gihinduka ntikibe kikimubabaza; na nje nagikoze ngahinduka, nkigaya, kugirango nje gusaba ikigongwe, ari ryo rindi zina ry'urukundo muri kirya gihe ndiko ndasaba ko ndekurirwa''. Ugusubiza hamwe nakwo ni kwo kugaruka kukaturema tukaba abandi bantu, tugashobora mbere gusubira gusangira urugendo rw'ubuzima n'ababanyi, kuko basubiriye kuba benewacu vy'ukuri.

Ugusubiza hamwe n'ukurekuriranira biba rero inkingi zitabanduka z'ubuzima busangiwe, kugira ngo bene kubigira basubire mu bumwe bubunga kandi bubafasha guhuza imitima na amaboko.

- **NTAMUNTU N'UMWE YIKWIYE**

Abantu ni magiririrane ntan'umwe yikwiye. Musenyeri NTAMWANA ati:'' Naho noba ntunze ibingana iki, nzokwama nkeneye abandi; nzokwama na nje mfitiye akamaro abo tubana, kuko nyene Umuremyi wacu yadushatse muri iryo sangiramutima, riheza rikadushikana mw'isangirangendo, tumaze imisi turiko turiga mu Muryango w'Ekleziya. Duhora tuvyibonako: « Ukuboko kumwe ntikwiyaga. » Mbere ntan'igihugu cigera gitera imbere kidakorewe n'abana baco bose, bavuye mu migwi yabo yose, mu mashirahamwe yabo yose, no mu migambwe yabo yose iri mu gihugu. Na barya bashamiraniye, na cane cane abo nyene, ni bo bakeneye ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, inyuma y'umuryano ushobora kuba waraturiye igihugu muri kahise kabo, kugira ngo basangire inama n'ingingo y'ingene botezanya imbere.

Mugutahuza abari aho ko abantu dukeneraniye yaciye yitiza inyigisho ya Antoni Saint- Exupéry, avuga ati : « Umuntu ni magiririrane, ni ipfundo rigizwe na imigenderanire hagati yiwe n'abandi bantu ». Michel KAYOYA nawe ati : « Sinshobora kwihambirira ku vyiyumviro n' ivyipfuzo vyanje gusa, ntaciye ntera iseseme abo turi kumwe, ntaciye ndabatera iseseme ribadaha mu buzima bwabo, bakagorwa kubera ico. Sinshobora kwikwegerako twose, nciye ku vyo nibwira ko ndabifitiye uburenganzira, ngo mpeze ndeke kugora abandi bantu, kandi nari nzi neza ko

umutima wanje ari bo ucambirwa. Sinshobora kwiyugaranira jenyene muri birya nishingira ukwanje, ntaciye nzana mu bandi bantu agatima ko kwankiriza ivyo niyumviriye, urwanko n'inzigo imbere yavyo, gushika naho ubwo bubisha bwuzura muri abo bantu, urwanko n' inzigo mu mutima w'umuntu, ngico ikintu kirusha vyose ububi.

Afatiye aho nyene Musenyeri Simoni yabariye urwaruka ko twebwe abarundi tuzobana neza ata murundi n'umwe agisunikiwe ukwiwe, ngo yibane mu kangaratete, ari we nyene, haba aha mu Burundi nyene aho azoba yaciye akantu kameze nk'icari ciwe, haba mu mahanga aho yoba yarahungiye.

Aho hose witoraguza ngo uje ukwawe, umutima urakwanka mu nda, ugatangura gushira amabariyeri na « agents de sécurité » imbere y'irembo. Abandi bantu barabinegura, mbere na bo bagaca batangura ku kwigana. Yarabandanije ati : « Nka vya bindi vya **« Red –Tabara** » bivugwa muri iyi misi, uko kuja mw'ishamba ngo utere igihugu cakuvyaye, vyatewe n'uko Uburundi bushaka kwiyugaranira mu kazu kabwo kitwa ko gakingiwe n'intwaramiheto zabwo. Ivyo muravyumva ko bidashobora kuduha inyishu y'amahoro dushonje. Muri ico kiganiro yarerekanye mu vy'ukuri ko ubuzima burondererwa mw'isangiramutima na ryo rigaca kandi ribonekera mu kurekuriranira no mu gusubiza hamwe, kuri twebwe twashamiraniye mu 2015, eka n'imbere yaho. Ntawosiga inyuma vyongeye akamaro k'ikiyago mu buzima magiriranire. Nkako, nkuko umwanditsi **Gabriel Marcel** abivuga:"**Sinshobora jewe ubwanje kwiyagira ngo nishikire neza, ntabanje guhuza ikiyago na mugenzanje**" (Gabriel Marcel, *Du refus à l'invocation, p. 50).*

- **UBUMWE N'UMUVUKANO W'ABANTU VYONONEKARA N'INGOGA**

Umuntu aravye ingene hano kw'isi abantu usanga ejo bari bashize hamwe hadaciye na kabiri bagatata bapfa ibintu bitobatandukanije: amaronko, igihagararo, ubwoko, … birerekana ko tutisunze Yezu Kristu yaje kudusasagazamwo urukundo rutagira agahemo kandi rudakumira ataho twoshika. Musenyeri yisunze inyigisho ya Papa Francisco mw'ikete « Fratelli tutti", yaramwiganye ati : «*Aya mango, biribonekeza ko isi iriko irasubira inyuma mu biraba amahoro n'umutekano. Amatati yari amaze imisi acureshe, ariko aragaruka akaze gusumba ubwambere. Mu bihugu bitari bike,*

*iciyumviro c'uko igihugu coba kimwe rudende kikisangiza vyose, kikimenya muri vyose, kiriko kirakwega ukwiyugara kwaco, mu kinyoma co kugwanira ibicega vyose »* n°11.
Abantu bibagira bartyo ko ubutungane n'amahoro bibwirizwa kuguma mu myitwarariko y'abanyagihugu bose, uko bagenda barabisikanya mu myaka no mu bihe, bagakomera mu rugamba rwo kubikomeza na ntaryo.
Muri ico kiganiro Musenyeri yahaye urwaruka, hariho ijambo ryavuzwe rikomeye cane*:''Ubuzima bw'ukuri, kubaho vy'ukuri ni ukuryoherwa twese turi hamwe n'uko turiko turakorera iterambere rya zina muntu. Si umuntu umwe agiye gukorera no kuruhira we musa, ngo apfupfahaze ipfa ryiwe ryo kurya no gutunga, ariko ni twese igihugu cose kivira hasi rimwe ngo gikorere ineza y'umuntu uwo ari we wese"*

**Musomyi w'iki cegeranyo c'iyi nyigisho Musenyeri Simoni yashikirije urwaruka, kunda uzirikane aya majambo yasozereyeko:**
Burundi we, sezerana n'amajambere ayo ari yo yose, n'utemera kurekuriranira no gusubiza hamwe, ngo ubanze ukande ibikomere vyagutabaguye, bikakugira indembe. Ivyo wubaka aya mango bisa n'imva wiyimbira(…).
Ya nzu turiko turubaka, kuko yubatswe kwinshi ari imwe, naho igerageza kuduga, ejo ca gihuhusi kizoyisenyura, dusigare twipfumbereje. Muti none habuze iki ngo twubake ibikomeye kandi mu buhinga bumwe? Ni ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe twishinga gutinya. Uko na twe tubitinya, ni ko ivyo dukora vyose bidahura, bidashobora kuguma, kuko nyene biri ku buhinga budasa. Biva ku dutima tubiri. Bigasohoka ari bibiri, canke mbere vyinshi, mu buryo rero bidashobora kwerekana bwa bukomezi Basokuru bacako umugani, bati: „Tubiri tuvurana ubupfu". L'union fait la force". Tuzoshikira ubwo buhinga bumwe tubanje kurekuriranira no gusubiza hamwe, ata guhemana. Emwe Barasukana nureke kuturoha.

Na we Rwaruka, umugani wa ya nyomvyi: « Upfuye ukiriko », nutubahuka kurekuriranira n'ugusubiza hamwe. Ni vyo tumaze imyaka tubona. N'uno musi uri hejuru, ntihabuze abariko barakana, abariko bacurika umutegetsi munaka, n'uwundi munaka bariko bararya ibiturire bapfumbatishijwe. Ntihabuze abariko bararira kuko basonzanye urupapuro rw'umutsindo rwabo, aho barubitse mw'ikoma ry'akaruri bararamwo. Ntihabuze abariko barakanira Uburundi, ngo babusenyurire intwaro, kuko nyene bari mu gahinda, kandi ari abana bo mu nzu. « Kuva kera hose, turabona ingene tuguma twonona ingiro n'ingendo mu ntwaro, mu kuringaniza ivyo twobwirijwe

gusangira, tugashinyaguriza Imana n'ishaka ryayo, tugatitura inyifato runtu, ugushingira intahe ubutungane n'ubushingantahe, ukwihebera ikinyoma » (Turavukana twese, n° 113).

Kubera ivyo vyose biduhanamiye, Mana yacu, dutabaze Mutima wawe w'urukundo, tuzane umuti nyawo wodukiza ayo mabi ari mu nzira, ejo dushobore gushika iwawe tukwereka ingene italenta watubikije twayungukiye mw'izina ryawe na irya benewacu. Imana nidutenyenyere, idufashe « tugaruke ku gatima kitwararika icarimwe ineza yacu na iy'abantu bose, gurtyo tuzoshobora gutora agahengwe, dukorere vy'ukuri hamwe, duheze tuze turire ku nkoko imwe, dushobore gushikira igikuriro c'ukuri kandi kitumerera neza twese » (Turavukana twese, n°113).

**INYIGISHO IKURIKIRA TWAYISHIKIRIJWE NA MUSENYERI BONAVENTURE NAHIMANA UMWUNGERE WA DIYOSEZE NKURU YA GITEGA**

KUCIVUGO NGO: **MUNEZERWE MU MWIZERO**



Ico civugo ni umuvyeyi wacu Papa Francisko yagishikirije ku musi mpuzamakungu w'urwaruka ugira 38. Iryo jambo akaba yarikuye mw'ibaruwa umutumwa Paulo Mweranda yandikiye Abaromani(Rm 12,12) aho Paulo Mweranda atumirira abakristu gukundana nk'abavandimwe umwe wese akitangiranira icubahiro mugenziwe, kutagira urwangara mu mwitwarariko wacu no kwamana igishika mu mutima, agira ati: "***Nimunezerwe n'ivyo mwizigiye, mwigumye mu bibagora, mwizigitire ku gisabisho"(Rm 12,9-12)***

***Umwungere yashikirije urwaruka ico kiganiro mumice ine:***

***1. Umunezero wacu uva hehe?***

Mu nyigisho yatanze, intahuro yambere yerekanye ko, hisunzwe abo Paulo mweranda yatumberezako rya jambo ngo''Nimunezerwe n'ivyo mwizigiye, mwigumye mu bibagora, mwizigitire ku gisabisho"(Rm 12,9-12), abo nabo bakaba bariko bararemeshwa ashaka ko bagira umwizero kuko bari mu bihe bigoye, ibihe vy'uruhamo. Bikumvikana ko rero uwo munezero ari uwukomoka ku Mukama we

nyene adukunda, umunezero uva kuguhura na Yezu Kristu, ukava kandi mu mabanga ya Pasika. Vyongeye uwo munezero ukomoka ku kwemera, kuko uko kwemera kuratuma umuntu agira agahimbare mumutima wiwe, akamenya ko ubuzima bwacu buri mu minwe y'Imana butari mu minwe y'abantu *canke muminwe ya shetani kiretse tuyibuhaye.*

***2. Umwizero wanyu ushingiye he?***

*Muri iki gihe ibihagarika umutima abantu atari bike: aho twovuga ubukene, ububegito, ubugaba, ubushomeri, ububabare, ingwara ziri kw'isi, umwungere yarashimye ko twoserura ibitera akanyamuneza urwaruka. Aho amariye kwereka urwo rwaruka ko muri rwo abonamwo kazoza keza: abashingamateka, abashikiranganji, abaganga, abacamanza, abepiscopi, abasaseredoti, abafurera n'ababikira, abadandaza, abarimyi n'aborozi,… umwungere wa Dioyoseze nkuru ya Gitega yarababwiye ko atahandi nyaho hogushingira akanyamuneza nyakwo atari mu Mana nzima. Afatiye ku magorwa Yobu yagize (Yb17,15), gushika aho yibaza ati: None umwizero wanje uri hehe? Ukwizigira kwanje ni inde akubona? Kuko yari yagumye yishimiye Imana ariko bagenzi we ntibabitegere yagize ati: na mwebwe nyene rwaruka, imbere y'ibibazo bitandukanye bibabangamiye canke imbere y'abantu bababara batazi ico bazira, muzoshobora kwibaza muti: kubera iki ivyo bishika ga mukama? (…). Ariko rero nkuko Papa Francisco abivuga twebwe abaremwe n'Imana mu gashusho kayo turashobora kuba abagaragaza urukundo rw'Imana ruvyara akanyamuneza n'umwizero aho hose umengo ntibishoboka. Igihambaye ni uguhura n'imana muri iyi si gushika uyimenye kuko ari ko kuronka umwizigiro. Ukwo kwizigira rero gushingiye mu Mana.*

***3. Ukwizigira, umuco wakaka mu mwijima***

Ukwizigira kwacu gukaburwa no kwishimira Umukama kuko uwishimiye Umukama ntaco abura (Is49,23c) kandi ntateterwa (izabuli 28,7). Umukama nyen'Ingabo niwe atuvugira, aturwanira niwe bukomezi bwacu, niwe bukiriro bwacu, niwe mahungiro yacu. Tuvyemera tuzovuga nk'umwanditsi w'injiri tuti: **" Umukama niwe rumuri rwanje akaba ariwe Mukiza wanje notinya iki, ninde yompindisha agashitsi"( Izabuli 26,1-2)**

Afatiye aho, umwungere yabariye urwaruka ati:" Ukwizigira kwanyu ntikworoshe si ugupfa kwemera ngo bizoshoboka "**gushinze imizi mu rukundo no mu kwemera"**ko Imana itigera itureka twenyene kandi izigama isezerano ryayo**: "Naho noca mukabande k'umwijima w'urupfu nta kibi nicura kuko uri kumwe nanje" Izabuli 22,4.**

Ico twomenya ni uko Kristu we nyene ari we muco mukuru w'ukwizigira kw'abantu, kuri twebwe abakristu akaba n'amerekero yacu mu mwijima wacu kuko niwe nyenyeri yakaka mumutwenzi. Ni naco gituma umwungere yahamagariye urwaruka gukomeza ukwizigira.

***4. Mwokomeza gute umwizero wanyu kandi mugenda mubiba gute umwizero aho muri?***

Mu nyigisho umwungere yatanze yabariye urwaruka ko hariho agasase k'umwizero gasanzwe kari muri twebwe. Maze rero ako gasase kakaba gakenewe kubungabungwa. Ikikagaburira naco abadomerako urutoke ko **ari igisabisho**, ukwihambirira ku vyiza, kumenya kwigumya mu bitugora. Yagize ati:"Igisabisho ni ikibanza co gukomeza ukwizigira, kiragushira imbere y'Imana, maze umuntu akitura Imana, akayazambira, akayisaba ayizeye azi yuko imwuvira. Niho umuntu yihwereza urukundo rw'Imana. Niho umuntu yumvira ko Imana imuremesheje mu bibazo vyiwe. Ico gisabisho ni co nguvu z'umwizero.

NI vyiza rero ko imisi yose umuntu yofata akanya ko kuruhukira imbere y'Imana, tukayitura ivyo vyose bitubangamiye. Akaruhuko n'umwizero wacu tubikesha Imana yo nsa (Izabuli 62).

Ikindi gikuza umwizero ni **Uguhitamwo ineza** nkuko Paulo mweranda atumirira abakristu b'i roma kunezerwa mu mwizero (Rm12,12), umuntu akihambirira ku ciza kandi akirinda inabi (Rm12,9).

Kuri ivyo vy'ukwizigira, umwungere yasozereye asaba urwaruka kwamana umwizero, abibutsa amajambo atatu dusanga mu nkuru nziza:

-Kwama bafise ico bishura umuntu wese afise ico ababaza cerekeye umwizero bafise (1P3,15)

-Igihe mutari bwemere ntamizero mwari mufise. None ko ubu mwemera mwamenye Kristu icobatera ubwoba ni ikihe?

-Ukutabaho nk'abantu badafise ukwizigira ngo bahave bicwa n'intuntu n'amaganya. **Kristu ni muzima.**

**INYUMA Y'IZO NYIGISHO, HACIYE HAKURIKIRA INKUKA Y'IMISA YARONGOWE N'UMWUNGERE WA DIYOSEZE YA MUYINGA: YOHAKIMU NTAHONDEREYE**



**Muri iyo nkuka y'imisa, yarigishije abakristu bari aho** Ijambo shimikiro ryabaye: ***Ewe mugore! Ukwemera Kwawe ni kunini, nibikubere rero uko ubishaka.***

Umwungere wa Diyoseze ya Muyinga yarongoye iyo nkuka y'imisa, mu nyigisho yiwe, yatanguye kutubarira ko muri Israel bari bibagiye iyo bavuye, bibagira ko bamaze imisi myinshi bacurwa bufuni na buhoro. Bari baramaze kwibagira Imana ya Abraham, Isaac na yakobo. Niyo yabahaye igihagararo ibagira rwayo. Umwungere ati:''Uyu musi ijambo tugaburiwe riza ribeshuza ivyo ben'israyeri bahavuye bibaza, bibwira. Abenshi mbere muri ben'israyeri babona ko womengo nibo bari bakwiye gutorwa. Bibagira ko Imana ariyo yabatoye, ikabakuramwo ikimenyamenya c'uko abantu bose bameze. (...)Tukaba rero dusabwa gukengurukira umukama Yezu Kristu kuko yaje kurangura muri ben'israyeri ivyo Imana yari yarasezeranye.

- Uyu mupfasoni w'ikanahani, igihugu c'abapagani, ben'israyeri babona nk'abagenewe gupfa kuko bagira bati: "Urukiza ni urwacu". Aje atakambira Yezu, Yezu nawe aremeye ko bayaga. Umukama aramubwiye nawe aremera.

Umwungere afatiye kuri iryo jambo yaciye abaza urwaruka ati:" Mbega tweho bite? Ubwo turavuga ukuri? Turakunda gutakambira Yezu mu gihe c'amakuba? Umwungere aca arabandanya ati: ''Ese twokwama twiyakira nk'uko umukama abizi. Tukagira duti:"Egome ndabizi ko ntakwiye guseruka mu maso yawe ariko n'utubunda turarya udukorotse ku meza kwa shebuja."

Mugusozera iyo nyigisho, umwungere yasavye urwaruka ko rwo kumva ko umukama yaduteye iteka akaturonsa ubutumwa bwo gufasha abandi, kubaja imbere, kuzira akagayane, none rero ko twomwegera kandi tukama tumukengurukira. Mu nyuma araheza yambaza umuvyeyi Bikira mariya kugira ngo **adusabire.**

## ➢ URUGENDO RWERANDA RW'UMUSALABA



Nkuko intunganyo y'uwo musi wagatatu yari imeze, igihe c'isaha icenda kigeze wari umwanya wo kugira Urugendo rw'umusalaba rwatanguriye kw'isengero nkuru yitiriwe abamaratiri b'ibuganda rutera rugana kukibuga c'umupira w'amaguru co mu gasanda. Kuri ico kibuga akanyamuneza ko kwigina umusalaba nti kari mbariza! Kahavuye mbere kaba n'akanya ko kwakira abashitsi: Nyen'icubahiro umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi yarakiriye abashitsi ahereye kuri nyen'icubahiro umwungere wa Diyoseze ya Bururi asanzwe arongoye igisata kiraba ubutumwa bw'abalayike, ingo hamwe n'ubuzima, uwaserukiye Leta, abasaseredoti n'abakristu balayike bose bari aho.

**Ijambo ry'uwaserukiye Reta**



Mw'ijambo uwaserukiye Leta yavuze yarateye intege inama y'abepiscopi, asaba abungere kubandanya ivyo bikorwa vyo guhuza urwaruka ari navyo vyerekana uruhara rw'urwaruka muguteza imbre igihugu cacu biciye mu nyigisho badasiba kubaronsa.Urwaruka ni rwo rugize igice kinini aha iwacu no kw'isi yose, ubwo bwinshi ntabwo ari ingorane ahubwo nitunga ridasanzwe kugihugu cacu ni itunga ridasanzwe dutegerezwa kuvyaza umusaruro.

Reta irashimishwa n'ibikorwa Ekleziya Katolika ikora, Reta imaze kubona ivyigwa vyateguwe yarabonye ko uruhara rw'urwaruka muguteza imbere igihugu ari ntangere, inguvu zibe izo guteza imbere igihugu ntizibe izo gusambura nkuko vyibonekeje mu myaka iheze. Reta ntaco idakora kugira ngo irabe ko urwaruka rwokwiteza imbere ruciye muri ya migambi itandatu mikuru mikuru yabateguriye; kugirango bashikire yam bonkazoza 2040 y'igihugu cifashe na 2060 igihugu giteye imbere.Yasozereye avunira akagohe urwaruka muri bino bihe vy'amatora, rutosamazwa n'ababahenda bizigitire kubikorwa vy'iterambere, abageze gutora batore imigambi izobateza imbere .

**Ijambo ry'Umwungere wa Diyoseze ya Bururi**



Mu nyuma umwungere arongoye Diyoseze ya Bururi akaba ariwe aramutswa igisata kiraba ubutumwa bw'abalayike yahawe ijambo aho yashimiye uwaserukiye Reta mw'ijambo ashikirije amumenyesha ko ico cose coza kirondera ko abarundi baba umwe, basubiza hamwe, nta makenga ko abungere bazoyishigikira, ati ico batoshigikira nigisambura kibuza abantu kwegerana canke kikabasubiza inyuma.

Yashimiye kandi imiryango yakiriye urwaruka, rwaje ruva Kure aca abatekerera impanuro zikwirikira:

. Nshize inzira zibiri mu buzima bwawe, inzira y'ubuzima n'inzira y'urupfu, ati inzira y'ubuzima ni inzira y'ubuhirwe, y'amahoro, y'imigisha, ni iyukwubaha amabwirizwa n'amategeko y'Imana;

. Inzira y'urupfu, ni inzira yo gutera akagere amabwirizwa y'Imana, amategeko y'Imana, ati **ubuzima dufise ni intizo y'Imana**.

. Kwubaha ubuzima bw'umuntu n'agateka kiwe, yagize ati mutubashe canke ngo mwubahirize agateka agateka k'umuntu ivyo mukora vyose ntagaciro bifise, ari naco gituma ubuzima bw'umuntu imbere, hagati, inyuma y'amatora ubuzima bw'umuntu burabandanya; mwubahe umuntu n'ivy'iwe.

. Gukoresha urwaruka nabi rugaca rurondera itunga ribi, ari naryo ribakwegwera mu binyoma, mu busuma, mu kuja I kuzima,

Mu gusozera yasavye abaraho ko batohirahira ngo biruke n'itunga ribi, ati ntimuze mube ibihwara mu buzima bwanyu.

- **KU MUSI WA KANE IGENEKEREZO RYA 8 MYANDAGARO 2024**

Abarundi bati: *"Akaryoshe ntigahora mw'itama."* Nkuko vyari bisanzwe bitunganijwe ku kirangamwanya co ku musi ku musi, igihe c'isaha zibiri z'agatondo, isinzi z'urwaruka barasidukanye n'iyonka bava mu miryango yari yabakiriye. Twomenyako aba kristu bari babakiriye babasezeye batari bifuza ko botandukana, nkako, nta nkeka ko k'ubw'umutima bagumanye.

Igihe c'isaha zibiri rero niho basubira guhurira mu ngoro baridagadura, inanga n'ingoma birasekera batazira Imana kandi buzuye akanyamuneza.

igihe c'isaha zibiri n'igice rero niho inkuka ya misa yo gusozera iryo hwaniro ry'urwaruka rigira 15 yatangura irongowe n'umwungere wa Diyoseze ya Ruyigi nyenicubahiro musenyeri Bulaziyo NZEYIMANA.

Ikitokwibagigwa rero n'akanyamuneza ntangere kigaragaje mur'iyo nkuka y'imisa yo gusozerra iryo hwaniro, haba ku bana, urwaruka n'abageze muzabukuru bari bitavye iyo nkuka y'imisa. Inyuma y'inkuka y'imisa, urwaruka rurenga ibihumbi bibiri bari bitavye iryo hwaniro baciye basubira mu miryango iwabo.

Ese Imana yobongerereza ingabirano y'ubwenge n'ubwitonzi vyobafasha kugendera inyigisho baharonkeye. **Amen**

## SERVICE SECRETARIAT DU FORUM DES JEUNES 2024

1. **Abbé Jérémie NYANDWI**
2. **Romes NDUWAKRISTU**
3. **Aimable HAKIZIMANA**
4. **Fides NIZIGIYIMANA**
5. **Celesta MINANI**
6. **Vital BIZOHERA**
7. **Evelyne NIYOMUKIZA**
8. **Belancilla NISHIMWE**

